1. Imbere ya vyose munkundire tubanze gukengurukira Imana Mushoboravyose yadushikanye muri kino kibanza  turi bazima, Nihabwe icubahiro.

2. Kuri uyu musi w'igenekerezo rya 11 Ruheshi 2021, Ni akanyamuneza hano mw'ishure rya Kaminuza ry'inyamiramabi aho turamutse twinjiza icese imikangara y'umurwi wa gatanu w'intwanzangabo mu rwego rw'inyamiramabi rw'Uburundi no gutanguza icese umwaka w'ishure wa Kaminuza w'2020 ushira uw'2021, mu gipolisi.
Ni umusi mukuru udasanzwe mu buzima bwa kaminuza y'igipolisi no mu buzima bw'Igihugu cacu c'Uburundi.

Uno musi ni nk'uko musamye imbanyi izovamwo umwana Abarundi barindiranye igishika kuko aba, ni bo bazotubera kiremesha mu gihugu.

Banyakwubahwa mwese mwitavye ibi bikorwa,

3. Iyo abenegihugu bumvise igikorwa nk'iki, bibatera umwizero kuko baca babona ko uburongozi bwabo bwitayeho ikibazo c'umutekano.
Ni co gituma mwene iki gihe ari ico kuzirikana ico umwenegihugu azeye ku rwego gw'inyamiramabi.

4. Mu Nyamiramabi, umwenegihugu abonamwo umutekano, abonamwo amahoro mu gihugu no mu kibano.
Abonamwo umuvyeyi n'umuhuza, umuco umutuma akora umutima uri mu nda kugira ngo atere imbere.
Urwego rw'Inyamiramabi ni igikingi c'irembo, rukaba n'umwugariro mu mihana iwacu.

5. Inyamiramabi ni yo muserukizi nyawe wa Reta-mvyeyi, Reta-nkozi.
Nk'uko musanzwe mubizi, Reta-Mvyeyi, Reta-Nkozi yarihaye intumbero yo gutunganiriza abenegihugu mu bisata vyose bigize ubuzima bw'Igihugu. Intumbero yama ari imwe, twipfuza ko umuntu wese aba mu Burundi yororanirwa, akagira akanyamuneza, agatunga agatunganirwa mu biwe no mu vyiwe.
Ivyo ni vyo Umurundi wese aserukira Reta mu gisata ico ari co cose ategerezwa gutegera, akabigendera azi ko kuroranirwa kw'abenegihugu ariyo ntumbero yiwe.

6. Muri iyo ntumbero, hari bimwe vyashizwe imbere kuruta ibindi, umutekano nawo, mukaba muzi ko uza imbere ya vyose.
Ata mutekano uriho murabizi, nta terambere rishobora kubaho, nta mubano mwiza uza hagati y'abanyagihugu.
Umutekano ni "Karahara mu ruganda ntibacure".

7. Aha rero mubitegere, twaje mu ruganda rucura imbanzaguseruka mu gucungera umutekano, ni co gituma ngaha haza uwufise ku muzirikanyi neza na neza ico azomara, amaze guhingurwa.

Mwebwe mwa mikangara mwe! Murahiriwe kuko ico muzoba murakizi, hasigaye ko mucitegurira neza kandi mukazokigendera.
Ishure ryose ry'inyamiramabi risohora abajejwe kwubahiriza amategeko mu gihugu; ni cogituma mufise ubutumwa budasanzwe.

Mbere tuvuge ko ari umuhamagaro udasanzwe kuko ni ngaha hasohoka abarara rubunda, bateramiye umutekano.
8. Aha muri mwebwe, mukwitegurira kuza aha, ntihabuze abicaye bakibwira bati: Reka ngende aho banyigisha ngaheza mfise akazi kuko yabonye abari imbere yiwe hariho abahejeje amashure bakabura ico bakora.
Mwiyumviriye uko muzoba muhuvye, muzoba mucitse abacangero kandi dushingiye gusohora abiyemeje kwigura Igihugu cabavyaye.
Mutangure kwiga muzi ko muzoheza mufise igikorwa gikomeye. Mufise ubutumwa kandi mutegerezwa kurangura neza mukur ikije amategeko agenga inyifato n'impano mwavukanye.

9. Ngaha rero ntimuje kwiga gusa gukoresha ubuhinga mu mutekano w'Igihugu, muje kandi kwiga ubumenyi buzobatuma umuzirikanyi wanyu wuguruka, mukamenya igitunga abantu.

Erega mu vyo muzoba mujejwe harimwo no kubera indongozi abandi mu bikorwa biteza imbere igihugu n'abenegihugu. Ni co gituma n'ico gisata c'ubumenyi tutagisiga inyuma mu ndinganizo y'ivyigwa.

10. Mu bijanye n'ubumenyi, twama tuvyibutsa kenshi, igihe cose akaryo kabonetse.
Ibisata bijejwe inyigisho cane cane za Kaminuza zirangurira imirimo mu gihugu cacu, zisabwa gutunganya inyigisho z'akanovera,

inyigisho zitangwa hafatiwe ku buhinga bwa none kugira ngo abasohoka babe koko icitegererezo mu karere, ku mugabane wa Afrika n'isi yose.
Kaminuza y'Igiporisi rero si yo yosigara inyuma; dukeneye intwazangabo mu nyamiramabi zikanura zigaheza zikarongora abandi.
Twipfuza ko mu mashure y'Uburundi hasohoka imikangara itabaye rurangiranwa mu gufata ku mutwe gusa, ahubwo ishoboye gushira mu ngiro ubumenyi yaronse.
Atari ivyo, igihugu kiba kiriko kivomera mu kiva; gutera imbere kwoba ari nko kurondera umuzi w'ibuye.

11. Nta nkeka rero ko, akanovera k'inyigisho zitangwa hano mw'ishure Kaminuza y'Intwazangabo kazotuma Uburundi buramura intwazangabo ziciye ubwenge, zikerebutse, zizi gutandukanya icatsi n'ururo, zubaha amategeko n'abenegihugu ari na bo zijejwe gukingira.

12. Ni co gituma ari ngombwa ko Kaminuza y'inyamiramabi itunganya inyigisho yisunze integuro y'Ubushikiranganji bw'Indero n'Uburongonzi kuko mu gikorwa c'inyamiramabi co kugwanya ikibi iyo kiva kikagera, hakenerwa ubwenge n'ubumenyi haba mu guhanahana amakuru, kumenya indimi, gutabara mu gihe c'ibiza n'isibe, n'ibindi.

13. Ni vyo, intambamyi ntizibuze nk'uko abarongoye iyi Kaminuza bashikirije ko ibibazo bafise bituma badashika neza kw'ihangiro bihaye.
Naho biri uko, turizera tudakekeranya ko iyi mikangara iriko iriga izosohoka ifise ibisabwa vyose kugira ngo izorangure neza amabanga ayirindiriye.

14. Ibi mvuze biraba ahanini aba baje guhingurwa n'abajejwe kubasikura kugira baze basohoke koko, biboneka ko bavuye mw'iforoma, bari icirore abarundi b'ubu n'abazovuka bazokwirabamwo.
Mikangara mishasha! Muvyumve neza: aha mwinjiye ntimuje kurya umuyondi; muje guhingurwa. Niyo mwumva hashushe canke hakanye, hamanuka canke haduga, hanyerera canke ari ku bihongo vy' amabuye, ntimuze musubize umugongo inyuma.
N'ubutare kugira buvemwo icuma gikomeye bubanza guca mu muriro. Barya bigisha mubafate nk'umuvuba uriko urabashusha kugira muvemwo abantu badasa n'abandi, abantu b'akarorero.

Muje kuhigira kuba abagabo babushitse, umugabo nawe mukaba muzi ko arinda akaje. Muri iri shure, bazonabigisha kurinda rugabo kuko uwujejwe umutekano ni we mugabo mu rugo. Ni mwihweze kandi muzirikane kirya kimenyetso kibaranga ku mutwe: Intare.
Intare ntijumararirwa ngo ishamba riratewe. Kandi intare ntihohotera udukoko dutoduto. Ni co gituma namwe ari ukuyigana mu kumenya kugumya umutima, mutajana nyabahururu. Abo banyagihugu batobato batagira igikenye abe aribo muzotabara hanyuma mwivune abazoba babateye.

Ba nyakwubahwa mwese,
Na mwe mikangara,

15. Reka nongere ndahikikike, nibutse intwazangabo nazo bwa butumwa zarahirira.
Intwazangabo mu nyamiramabi zitegerezwa kuba urumuri rw'abo zirongoye, kugira inyamiramabi z'Uburundi zibe koko ba bitumwako mu kugwanya inkozi z'ibibi.
Intwazangabo y'ukuri ni nk'umwungere azi kugendereza ibihe, akamenya kuzitira ataronerwa,
akamenya gukorana n'abenegihugu tutibagiye gukarihiriza ubwenge abo arongoye.
Iyo yamaze kwinjiranwa n'inkozi z'ikibi naho, ategerezwa kumenya gufata ingingo zibereye hakiri kare kugira ngo ahangane n'abihevyi n'abandi bicanyi, ubusuma n'ubundi bukozi bw'ikibi.
Intwazangabo y'ukuri ntitekana hari ikiriko kidogoya abenegihugu.

16. Ico intwazangabo itegerezwa kumenya ni uko iyi si atari iy'abamarayika. Iyi si ikozwe n'ububegito kuko yiziziwe na Shetani.
Mushaka kubimenya ni musome mu vyahishuriwe umutumwa Yohani mu kigabane ca 12 imirongo y'7 gushika kw'12.
Ngo "Mw'ijuru havyuka intambara: Mikayeli n'abamalayika biwe baragwanya ca gisato, igisato kiragwana gishigikiwe n'abamalayika baco, ariko kiratsindwa, kandi ikibanza caco nticaba kikiboneka mw'ijuru, kimwe n'abamalayika baco.
Batembagariza rero ca gisato amahero, ya nzoka ya kera, imwe yitwa sekibi canke shetani, ca kizimiza c'abari kw'isi bose, bagitembagariza kw'isi hamwe n'abamalayika baco.

Yohani ati:

Niho numwa ijwi rihogora riti: Noneho harashitse ubukiriro,ububasha n'ubwami bw'Imana yacu be n'inganji ya Kristu wayo, kuko batembagarije hasi uwahenze benewacu, yahora abagiriza mu maso y'Imana yacu ijoro n'umutaga.

Nabo baramutsindishije amaraso y'umwagazi n'ijambo ry'intahe bashinze kandi kuko batigunganye ubuzima bwabo gushika bapfe.

Kubera ico, ni munezerwe wewe juru na mwebwe muribamwo! Uragowe wa si n'ikiyaga, kuko ishetani yamanutse iwanyu, ifise inzigo nyishi, izi ko ifise igihe gito."
Usomye aha, uca wumva ko kwisi hategerezwa kuba ingorane.

17. Mwumvirije ibi muca mumenya igihanze inyamiramabi.
Ikibahanze ni ba gateranya, ni inkozi z'ikibi. Kandi inyamiramabi zisamaye, zisanga izo nkozi z'ikibi zizimariye abenegihugu.
Erega si ico gusa, inkozi z'ikibi zirateranya abonse rimwe kugira basubiranemwo.
Mwame rero murikanuye, mwumve ko namwe muri abamalayika batabara kw'isi kurya Mikayeli yatabaye ijuru.
Muri nka ba serugo bakingiye umuryango.

18. Inyamiramabi zihanganye n'umwansi atagira akarere yiharije, aho uca hose wibwira ko uri mu bana beza.
Inyamiramabi zihanganye n'inkozi y'ikibi itagira umwambaro uyiranga canke ngo igire ikimenyetso cerekana ko ari sekibi.
Ico tuzi ni uko uwo zihanganye ajejwe kuzana amahoro mu bantu.
Uwo muhura, naho aba ari we, ni umuntu nkawe, kuburyo bigoye kumenya ko ari uwiziziwe na sekibi canke ko ari umuntu w'ubuntu; kandi nawe ujejwe gukingira umuntu.
Aha rero niho ho kugabira. Ibaze nawe kugira umutima wo gukingira umuntu ugasanga ni imfysi nyamyoma ishaka kukumarira abana, guhangana na we bisaba ubwenge n'ubwitonzi.
Uwo mwansi ico muzomumenyerako, ni we ateranya inyamiramabi n'abo zijejwe gukingira kugira ngo mwigire inyuma umwansi na we abone gukorera ishano abenegihugu.
Ni nawe ateranya inyamiramabi n'ababakurira kugira mucike inkokora, mute ibanga mwihebeye.

19. Murarikanura rero, uwo mwansi atumwa na shetani ntatuneshe canke ngo adute mu mosha mabi.
Ni mwaruha naho, mugacika inkokora, murikora ku gisabisho;

ni co kizotuma muronka umuzirikanyi abafasha kumenya umwansi w'abenegihugu uwo ari we, ni co kizotuma mumenya gutandukanya ikibi n'iciza.

Banyakwubahwa,
Batumire bahire;

20. Inyamiramabi, uretse ko ari inkinzo y'abenegihugu, ni umuhuza.
Mwame mwitwararika iryo bango, na cane cane muri ibi bihe Uburundi bugezeko: "Igihe co gusubiza hamwe burundu".

Iki gihe turimwo ni nk'igihe umuvyeyi aba ashitse mu butigu, arindiriye ikibondo. Natwe Abarundi tugeze mu gihe turiko turiyubura ngo tube bashasha, tuvavanure n'impwemu mbi yatumye bamwe muri twebwe ducika ibirara.
Ivyo twaciyemwo birateye ubwoba n'agahinda ni co gituma ari ukugira umutima w'ubutwari kugira tubisohokemwo amarembe.

21. Bamwe barahahamutse kubera ibibi vy'agahomera bunwa bakorewe, igihe ukuri kugiye ahabona bibavyurira igisebe, n'ayo batarize ico gihe bakayarira ubu.
Ni co gituma dutegerezwa kubaguma hagufi tukabaremesha; gutyo agatima k'ishavu ari ko kavyura inyosha mbi yo kwihora, kururuke. Twese turonke umutima wo gusubiza hamwe nk'abana b'Imana mu gutegera amagorwa umwe wese muri benewacu yahuye na yo.

22. Si kubabikorewe gusa; ababikoze na bo ni kwo kw'uko, ikibi bakoze canyegejwe umwanya muremure; bari bafise ivyizigiro ko bitazoja ahabona.
Ubu rero biriko bija ahabona, umutima uri i mutwe bibaza ico bazobakoza. Mbere benshi muri bo, baricuza mugabo bikabananira kuyora baramaze gusesa. Nabo murumva ko bagowe ku mutima kandi ari benewacu.

Nabo ni Abarundi dutegerezwa gukiza iyo mitima mibi yari yarabiziziye kugira babe ari bo bazoshingira intahe urwaruka ruzokurikira, rumenye ikizira. Ntudushaka ko abana bacu boca mu magume twebwe twaciyemwo, tugakuriramwo.

23. Hariho n'abandi dutegerezwa kubungabunga: Muri bo harimwo ivyabona, abo na bo ubu batinya ababikoze kuko bohava bashaka kubazivya, bakongera bagatinya ababikorewe kuko ataco bashoboye kubafasha mu bihe bigoye barimwo.
Hakaba rero n'abana bakomoka kuri abo bose babonye ayo magume. Uri abatinya ko bazohorwa icaha c'abavyeyi babo, uri abatinya ko bizohava bisubira, abo bose bakeneye guhumurizwa imitima kuko murumva ko imitima iri mu kirere. Hagize umwansi yokabura, ntawuzi iyo vyoherera. Ariko nagira ndabaremeshe: Ntibizosubira kandi nta mwana azira icaha c'umuvyeyi mu gihugu kigendera ku mategeko.

24. Ariko murumva ko Abarundi bari mu gihe c'amadidane; umuhuza w'ukuri ni mwebwe muhagarariye amahoro n'umutekano.
Uwuhagarariye umutekano, ni we mugabo mu rugo, ahumuriza akongera agahagararira umutekano w'abana bose.
Iryo cumu mwahawe, ni iriranga umugabo w'inshirwarimenetse, kuko uritwaye nabi rirakebana, ryohekura uwo wokingiye nkuko vyabaye muri ako kahise kabi.
Kubera ubugabo bwanyu, abenegihugu barabashizemwo icizere, babaha iryo cumu kugira ngo inkozi z'ikibi zigire ico zitinya.

25. Muragendera ubwo bugabo rero, mube abahuza, mubanguranye, mbere aho binaniranye mube abacamanza b'ukuri kugira ngo abenegihugu babiyumvemwo.
Mwame muzirikana na ntaryo ko muriko mubanguranya abavukana. Mubikore mubizi ko, nk'uko ba sokuru bayamaze, "Uwucira urubanza abavukana ararangamiza", ntagira nkunzi. Aha Abarundi bose ni mwebwe bahanze amaso, bizeye ko ata butegetsi buzosubira kwica ugwehe canke gushigikira inkozi z'ikibi ziriko zigandagura Abarundi. Icibagiwe coco ni uwohirahira ngo akorere ikibi umwenegihugu. Ico ni ca gicumuro twita "isakirirego". Ni icaha

kitagira n'izina kuri mwebwe abajejwe umutekano kuko umwenegihugu ni umudahangarwa. N'iyo ahemutse, ahanwa hakurikijwe amategeko.

Bubahwa mwese,
Batumire bahire;

26. Izi nyamiramabi ndiko ndakebura ntizoshobora gukora ico zatorewe, ziragira abiziziwe na sekibi gusa.

Ni ngombwa ko natwe twikebuka tube abantu b'ubuntu. Abantu basenyera ku mugozi umwe kuko igihugu bahamagariwe gukingira ni twebwe nyene. Ntibokingira rero abantu bitwara nk'uduhushi two muci, ni two twiragira tukicura.
Twebwe abenegihugu twibuke ko rimwe na rimwe dusaba inyamiramabi gukoresha inguvu igihe bikenewe kugira turonke amahoro.

27. Tumenye rero ko tutobatuma kuragira ngo bace baragira twebwe, ico tubatuma ni kurinda inkozi z'ikibi, twebwe ni tubabere abana beza.
Tumenye kandi ko ubutumwa twabahaye butabatuma baca bacika Imana. Bafise amaso abiri, ntibabonera hose rimwe. Umwansi nawe, nk'uko nabivuze, ntawumenya aho aherereye mu gihugu, ntagira umwambaro umuranga ngo tumenye aho ageze.
Ni co gituma tutabafashije, ngo tubafate mu mugongo, bopfira ku nzira.
Ni tumenye rero uruhara rwacu nk'abenegihugu bashaka umwimbu ku bo batumye.
Twebwe nyene tubabere ijisho kuko turi benshi, hanyuma tubarye akara hari ico tugizeko amakenga. Ico gihe tuzobishuza igikorwa twabahaye. Nayo ahandi hoho ni twasamara, bazotuvuna twamaze kuvunika.
Ikizira kikaziririzwa ni ukwihanira canke bimwe bita kwitanga umwansi. Ayo majambo tuyagire indahiro mu gihugu cacu kuko ni yo yakomerekeje Uburundi muri ivyo bihe biheze.

28. Igituma twama tuvuga ko dutegerezwa gutsimbataza igihugu kigengwa n'amategeko, ni ico nyene.
Ubutegetsi nyabwo mu gihugu ntibutwagwa n'abantu, butwarwa n'amategeko.
Amategeko ni yo ahana; amategeko ni yo akingira abenegihugu; amategeko ni yo nzira twese dutegerezwa gucamwo kugira umwenegihugu wese agire iteka n'itekane.
Amategeko ni yo nkizo y'abenegihugu bose, ata n'umwe avuyemwo.
Ni yo inyamiramabi zagenewe guhagararira kugira umwe wese yumve impore mu mutima.

29. None rero ni ngaha mboneyeho akaryo ko gukebura inyamiramabi kugira bamenye inyifato bategerezwa kugendera mu gihe cose bariko barangura ubutumwa abenegihugu twabajeje.

Ubwa mbere, Muri vyose na hose, musabwa guhagararira amategeko mu gukingira umuntu wese ari mu karere mujejwe kugira ntihagire uwurengera akarimbi mugenziwe mu buzima bwiwe.
Ubwa kabiri, gukingira ubuzima bw'abantu n'ivyabo kugira mu bikorwa bakora, umwe wese agire ingoga zo kwiteza imbere kuko azi ko ata wuzomutera ku vy'iwe.
Ubwa gatatu, kugarukana umutekano aho bikenewe no gukinga ingorane mu gucungera neza ko mu karere ujejwe hari amahoro n'umwumvikano mu bantu.

Muri Make, Ubwa kane, ni ukwubahiriza agateka kuri bose.
Kugira ivyo bishoboke, mwirinde nkunzi, mwirinde igiturire uko kiri kwose, muhagararire amategeko, muhane kandi mwihanize uwo wese ayarenze.
Gutyo mureme umwizero mu bantu, tuze dusange twaremye akajuru mu Burundi, hatekanye, Imana ibandanye ihezagire.

Ba nyakwubahwa,

30. Mu kurangiza nagomba kugaruka ku kintu gihambaye co kwibutsa. Igiti ntikigukora mu jisho kabiri kiretse uri impumyi.
N'ejo n'ejo bundi mubimenye. Umunyakinyoma canke inyosha mbi ni yaguhenda ubwa mbere ukavyemera ukabikora,
urikurayo uti: icaha cagira uwaguhenze. Niyaramuka agusutse ubugira kabiri ukavyemera, wokangarizako, ukavuga ko ari we yaguhenze. Ariko akwoheje ubugira gatatu ukemera, nta kibabagwe, ntihagire ico wikuzayo, icaha ni wewe kiba cavuyeko kandi kikwagira ijana kw'ijana.

31. None rero tubimenye kandi tubimenyere. Abanyamahanga baraje baraduhenda, turacanamwo, urwanko ruba rurameze mu bose rimwe.

Aho turabagiriza kuko baduteranya bakoresheje igikenye kuko Abarundi bari bagandaguwe n'abadagi bihagije. Kubera ubwo bwicanyi Abarundi bemera bavuga bati: Uko zivugijwe ni ko zitambwa.

32. Ubwa kabiri badusezeye bakaja iwabo, uburongozi, aho kugarukana bwa bumwe twari twaranyazwe, ni bwo ahubwo bwategura ubwicanyi mbere bukabushira mu ngiro.

Nama ndabivuga, kandi sinzohengeshanya kubishimangira, nta bahutu n'abatutsi bigeze bahangana muri iki gihugu c'Uburundi ngo bagwane, kuko nararondeye kizigenza w'Abahutu ndabumura, ndondera umwami w'Abatutsi ndamubura. None ingabo zitagira umutware zogwana gute?
Uburongozi, aho kuvyifatamwo neza ngo bukingire Abarundi, ahubwo ababugize ni bo basongera isibe bagasukira mu cogeje inkozi z'ikibi,
bagahumiriza canke bagafasha umwasi kugandagura Abarundi.
Izo ndongozi zibuze uwo zibitako kubera ububegito bwazo, bakabita ku moko kuko bari bazi ko atawuzoserukira ubwoko ngo aburane.

33. Ubu rero tubitegere kuri uyu musi: Umurundi wese azohohotera mugenzi we, amenye ko ubwoko bwiwe ari ubw'inkozi y'ikibi.
Uwo na we tuzomugwanya twese kandi tumurandurane n'imizi. Nta n'agasigarira k'inkozi z'ikibi dukeneye mu gihugu cacu.
Umwicanyi, umusuma, umwambuzi, uwohohotera agateka ka zina muntu, yaba umukuru canke umuto, nta numwe dushaka ko aronka ikibanza ngaha mu gihugu cacu.

34. Ni co gituma ndabasavye nshimitse, mwebwe nyamiramabi: Nabivuze kandi ndasubiramwo, uwuca urubanza rw'abavukana ararangamira.

Naho uzosanga ari mwene nyoko, akaba yahindutse inkozi y'ikibi, ntuze ugire ikinyanya mu kumuhasha. Kurikiza amategeko gusa.
Ndahakanye ko ejo hari abazovuga ko uburongozi bwa Ndayishimiye bwakingiye ikibaba abicanyi kubera basangiye umuryango, ubwoko canke intara.
Ni jewe ndabatumye nka kizigenza wanyu, kuko ni jewe bazobibaza.
None ntimurumva bavuga ngo vyava hejuru?
Kuva ubu, hejuru ni hakoroke hava ivyiza gusa, ni haveyo impore mu bantu.
Ku ruhande rwanje, uwuzokwanjanjwa, ntatabare abenegihugu, ntakabuza, tuzokoresha amategeko natwe tumwikureko imbere yuko abenegihugu bidogera uburongozi.

35. Hari ikintu Igihugu gisabwa kandi ntabanduka kuko ari ngombwa kugira agateka ka zina muntu kubahirizwe:
Ni ugucungera amahoro n'umutekano, kigakingira abanyagihugu bose, no gukurikirana inkozi z'ikibi aho ziri hose, zigafatwa zigashirwa imbere y'ubucamanza kugira ngo uwakorewe icaha yoye kwihora ahubwo ahorwe n'igihugu.
Ico ni co mpagarariye kandi namwe nyamiramabi, ni co mujejwe gukora.
None icerekwa ni ikibona, ikibarirwa ni icumva. Tuve hasi twese, duhinduke twubake Uburundi buzira umudugararo.

Mukurangiza,

36. Nagomba guhezagira no kwipfuriza ibikorwa vyiza imikangara yinjiye muri iyi kaminuza iramura intwazangabo mu nyamiramabi.

Muraroranirwa mu vyo bazobigisha vyose, mufise ku muzirikanyi ko tubarindiranye igishika ngo mutuvune tutaravunika mu gikorwa co gukingira umutekano w'Igihugu.
Turateye intege kandi abigisha bazobarera mukwitegurira iryo banga, babarere bakurikije imico n'akaranga vyamye biranga Igihugu cacu; kuko muriko mwitegurira guhagararira Igihugu gifise iteka ryaco mu makungu. Ibibazo bashikirije ni ibibazo vya Reta n'ibibazo vy'igihugu, nanje ngiye kubigira ivyanje. Reta igiye kubihagurukira, kandi ntawuvuka rimwe ngo yuzure ingovyi turashima aho mugeze.

37. Sinorangiza iri jambo ntashimiye Ubushikiranganji bw'Umutekano, Iterambere rusangi n'Intwaro yo hagati mu gihugu ku birori vyiza bateguye hamwe n'abo bose bitavye uru rubanza.
Mboneyeho n'akaryo ko gushima bimwe bivuye ku mutima ingabire mwanshikirije, nkaba ndabemereye ko nanje nzobasubiriza mu ndumane kuko ndazi ko haguhura n'uwaguhaye, wohura n'uwakwimye. Aha ni umwenda ntahanye w'urukundo, ubu mubaye abahanyi banje.

38. Ni kuri aya majambo rero yo gushima nsozereyeko ntangaza icese ko Umwaka w'Ishure w'2020 ushira uw'2021 wuguruwe icese muri Kaminuza y'Inyamiramabi y'Uburundi.

Murakoze,
Imana Ibahezagire.